
*KIRUNDI - "Who will deliver me?"*

# NI NDE YONKIZA ?

K'umunsi w'Imana nariko ndigisha Injili Ntagatifu mu gisagara kinini c'umwami umwe w'igihugu ca Lesuto. Abantu benshi bari baje kwumva ijambo ry'Imana, ijambo ry'ubushobozi, ijambo ry'ubugingo, ijambo rifise ubugi nk'inkota ryakoze mu mitima y'abantu.

Igihe nariko ndigisha, umugore wa mbere wumwami mukuru, niwe mwamikazi; atangura kurira yuzuye umubabaro mwinshi arahaguruka akoma induru yuzuye umubabaro mwinshi cane ati: "Ni nde yonkiza? Untabare umfashe, kuko umutima wanje ufise umubabaro mwinshi n'akabonge. Ni nde yoshobora kumfasha? Ni nde yonkura mur'aya magorwa y'urupfu? None nkore iki? Mwese muranzi, nd'umugore w'umwami (umwamikazi) kandi nd'umwe mubagore basenga Imana maze imyaka irenga mirongo ibiri nja mu misa mugabo amajabo yose numvise ntiyashoboye kunkiza canke ngo agire ico amfasha mu bugingo bwanje, kubera ko ivyaha bimaze kumboha. Nd'imborerwa kandi nd'umwicanyi, amaboko yanje aranduye kuko yenga inzoga, ico kinyobwa kiboreza cavumwe. Ivyaha bimaze kumboha amaguru n'amaboko nd'imbohe y'ikuzimu.

**NI NDE YONKIZA ?**



Aricara yongera kurirana umubabaro mwinshi; ati "Mumfashe! Mumfashe! Ni nde yonkiza? Ni nde, yombohora muri iribohero ry'ivyaha? Ndakunda Imana, ariko ivyaha birambangamiye, bimpinduye umuja wavyo, bimboheye i kuzimu. Umwana wanje w'infura naramwishe, naraborewe ico gihe nari ndamuhetse mu mugongo, kubera akaborerwe, ndatemba, ngwa hasi ngwira wa mwana mu fyonderanya umutwe aca arapfa. Mumfashe munkure muraya magorwa! Inkozi z'ikibi ntizishobora kumfasha, n'idini nayo nyene ntishobora kumfasha! Ni nde ashobora ku nkiza?"

Ndamwishura nti: "Amahoro abane nawe, abantu bose bafise ingorane nkawe, igitabo c'Imana Biblia cerekana inyishu yuwo mubabaro w'umutima wawe; Mubaroma 7:15-25 turabona ingene ibicumuro biturwanya. Ni nde ashobora kudukiza, ndazi ko murijewe, mukameremere kanje ataciza kimbamwo kuko kugomba gukora iciza kubana nanje ariko kugikora ntakwo, kuko iciza ngomba atarico nkora ariko ikibi ntagomba akaba arico nkora. Ko nkora ico ntagomba, si jewe nkigikora, ariko n'icaha kimbamwo niko mbona ikingera yuko naho ngomba gukora iciza ikibi kibana nanje. Nezererwa Ivyagezwe m'umutima wanje, ariko mbona ikindi kingera kiri mu mubiri wanje kirwanya ikigera co mu mutima wanje, kika mfatira mpiri kuganzwa n'ikingera kiri mumubiri wanje ikingera c'icaha."

Hari igihe umuntu azokoma induru avuga ati: "Ewe jewe ndagowe! Ni nde yonkiza!" Nitwatakambira Imana, yo izotwishura kandi izo dukiza.


**INYISHU**

*"Umwana ni yabaha kwidegemvya, muzoba abidegemvya nyakuri."*
*Yohana 8:36*

Yesu n'inyishu y'ibibazo vyacu, n'inyishu y'ikibazo cawe. "Kuko atarindi Zina musi y'izuba ryahawe abantu mw'isi dukwiye gukirizwamwo." (Ivyakozwe n'intumwa 4:12). Yesu wenyene arashobora kudukiza ivyaha vyacu. Amaraso yiwe yonyene niyo ashobora kutwoza ivyaha vyose. Nta muganga, canke umurozi canke umuvuga butumwa, canke umupadiri canke uwundi muntu uwariwe wese, canke Imisa bishobora kudukura mu vyaha. Umwagazi w'intama w'Imana niwe aharira ivyaha vyo kuri iy'isi vyose, umwizeye, ashobora kugukirisha amaraso yiwe kubw'ubushobozi bwa Mpwemu Yera.

Yesu umwana w'Imana yaje mur'iyi si yacu, guhumura amaso y'impumyi no kubohora ababohewe mu nzu y'imbohe (Ivyaha) n'abakigendera mu muzimagiza. (Yesaya 42:6-7). Yesu yavuze ati: "Umuntu wese akora ivyaha n'umuja w'ivyaha, ariko umwana n'iyabaha umwidegemvyo muzoba abidegemvya nyakuri. (Yohana 8:34-36). Yesu niwe kuri kandi niwe atanga umwidegemvyo.

Yesu umwana w'Imana, y'ikoreye ivyaha vyacu abishikana ku musalaba, ivyaha vyawe vyose ya bitsinze ku musalaba, n'ukuri n'izacu ntimba yishizeko n'iyacu mibabaro y'ikoreye igihano kituronkesha amahoro cabonetse kuri we kandi imishishagu yiwe niyo idukiza. (Yesaya 53:3-7).




*"Umwana n'iyabaha umwidegemvyo muzoba abidegemvya nyakuri. Yohana 8:36*

Baraba yari umunyavyaha; umwicanyi, yari yaciriwe urubanza rwo gupfa, yategerezwa rero kubambwa, ariko rero Yesu aca Yemera kuja mu kibanza ciwe yikorera umusalaba wiwe.

Yesu umwana w'Imana yabambwe mu kibanza ca Baraba, mukibanza cawe n'ikibanza canje. Urya mwicanyi yarekuriwe kubera ko hari uwundi yemeye kumupfira mu kibanza ciwe. Jewe nawe uy'umunsi turi ba Baraba, ingero y'icaha n'urupfu, ariko ingabire y'Imana n'Ubugingo budashira bubonerwa muri Kristo-Yesu. Ni wicisha bugufi mu mutima wawe, ukitegereza umusalaba wa Kristo, mu kwizera urashobora kwibona nokubona ivyaha vyawe bibambwe ku musalaba. Yesu Yaragucunguye kugira ngo ushobore nawe kuzorarwa ubugingo budashira, kubwa'amaraso yiwe yasesekeye ku musalaba I Golgota kugira ubabarirwe ivyaha vyawe. Kuko urukundo Imana yakunze abari mw'isi arirwo rwatumye itanga umwana wayo w'ikinege kugira ngo uwumwizeye wese ntapfe rubi ariko aronke ubugingo budashira.

Mu gihe uwo mugore w'umwami yumvise ayo majambo yose yaciye arema

m'umutima wiwe wose aca yiha uwa mubambiwe, akamupfira kumusalaba, agasesa amaraso yiwe kugira amwoze ivyaha vyiwe. Ni we Yesu Kristo Umwana w'Imana nzima. Aha Imana umutima wuzuye ivyaha vyiwe, Imana nayo imuha umutima musha wuzuye Mpwemu Yera. Si ivyo gusa, Imana yaciye imuharira ivyaha vyiwe vyose yakoze imukiza ubuja n'ububasha bw'ibicumuro. None haheze imyaka myinshi afise amahoro n'umunezero vy'uzuye umutima wiwe, ubuzima bwiza; bushasha m'ubugingo bwiwe, bw'intsinzi, ntakinywa inzoga (ibiboreza) ntanywa itabi canke nokurikorako ntarikorako, abeyeho m'ubuzima bushasha (bwiza) ubu n'icabona co gushingira intahe ukuri Yemeza ko: "Iyo umuntu ari muri Kristo Yesu acika kuba ica remwe gisha, ivyakera biba bishize vyose biba bicitse bisha." (2 Ab'Inkorinto 5:17).

Nawe mukundwa uriko urasoma, urashobora gukizwa kubwo kwizera Yesu Kristo, umwami Yesu aravuga ati: "Nimuze kuri jewe abananiwe n'abaremerewe ndabaruhura." Nuze kwa Yesu, aho uri hose n'uko uri kwose, mwikoreze amaganya yawe, ntazokwanka kukuruhura namba; ni wa mwegera ufise umutima uciye bugufi, kandi ujanjaguye kandi wizeye. Ushobora kuba umaze igihe kirekire mw'ishengero, mugabo ukiruhijwe n'ivyaha, ngwino kwa Yesu arakuruhura aguhe umwidegemvyo ubu nyene. Akiza imibembe, n'ubuhumyi bw'amaso. Yesu ni wawundi akiza umutima ubabaye no guha umwidegemvyo abafatiwe mpiri mu buja bw'ivyaha. (Abajakariye ivyaha). "Niwe aharira ivyaha vyanje agakiza indwara zanje." (Zaburi 103:3).

Niwaba umaze guha Yesu umutima wawe, shingira abandi intahe ingene Yesu yagukijije, utumenyeshe intahe yawe, natwe bizotunezera ugiye utumenyesha intahe yawe. Niwaba ushaka kwakira Yesu nkumukiza wawe uratwandikira ikete, natwe tuzogusengera kugira nawe ube muri iyi nzira y'Imana.

---

Si vous avez trouvé le salut en Christ ou si vous avez été béni par notre littérature, nous vous prions de nous le faire savoir. Nous aimerions remercier Dieu avec vous et prier pour vous.

Pour obtenir gratuitement de la littérature évangélique, des livres et des traités en plus de 540 langues, écrivez à:

**E-MAIL: info@angp.co.za**
**ALL NATIONS GOSPEL PUBLISHERS**
**P.O. BOX 2191, PRETORIA, 0001, R.S.A.**
(Une Mission de Littérature évangélique financée de dons)
(Reg. No. 1961/001798/08)